**DIYOSEZE NKURU YA GITEGA**
**IBIRO NSHINGWABUTUMWA**
**E-Mail: pastoralbureau@gmail.com**
**B.P.118 GITEGA**

**ICEGERANYO C'IVYIYUMVIRO VYATANZWE BIRIMBURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2023-2024 BINATEGEKANYA UMUSHASHA 2024-2025**

## A. KURIMBURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2023-2024

**IBIBAZO VYAFATIWEKO:**

### I. Ikibazo ca mbere: IBIKORWA VY'UBUTUMWA VYARANGUTSE

1. 1. Uyu mwaka w'ubutumwa 2023-2024 turiko turarangiza wari ufise icivugo kigira kiti: **«Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Dukundire Yezu Kristu atunywanishe na We, dushobore kurekuriranira no gusubiza hamwe".**
1. 1. Abantu bawakiriye gute?
1. 2. Ingingo zigize ico civugo bazitegereye gute?
1. 3. Ibikorwa ruberera vy'ubutumwa vyaranguwe mw'iparuwase yanyu canke mu gisata canyu mushira mu ngiro izo ngingo ni ibihe?
1. 4. Ivyo mwaranguye muvyerekeje ku civugo ndongorabutumwa c'ikiringo c'imyaka itanu kigira kiti: **"Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro, kurekuriranira no gusubiza hamwe" ni ibihe?**
1. 5. Ingingo zigize ico civugo mwazinywanishije mute n'umugambi w'Ekleziya yose w'Inama Nsangizangendo?
1. 6. Mu kanyamuneza ka Yubile y'imyaka 125 Uburundi bumaze bwakiriye Inkuru Nziza twaraye dusozereye, wabasigaranye iki? Ni ubuhe butumwa mwaranguye bwerekana ko namwe ubwo butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza mwabugize umwitwarariko wanyu?
1. 7. Hari ibindi bikorwa biboneka mwigiriyeko ingingo muri iyo ntumbero mwoshima gushikiriza musangiza abandi? Bidondagure.

**2. Ikibazo ca kabiri: IBIKORWA VYARI VYATEGEKANIJWE BITARANGUTSE**
2. 1. Hari ibikorwa vy'ubutumwa mwari mwategekanije bitahavuye biranguka? Ni ibihe n'ibihe? Ivyatumye bitaranguka ni ibiki?
2. 2. Mutegekanya gute kuzobishishikara ngo biranguke?

**3. Ikibazo ca gatatu: IBIBAZO, IVYIPFUZO N'IMIGAMBI**

Hari ibibazo, ivyipfuzo n'imigambi ya kazoza mwoba mufise kugira ngo ingingo zigize icivugo c'umwaka turangije zizogume ziranguka?

## B. UGUTEGURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2024-2025

1. Icivugo ndongorabutumwa cari categekanirijwe umwaka w'ubutumwa buca twinjiramwo wa 2024 ushira 2025 cari iki:: "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: *Duhinduke twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe mu gukomeza akarangamutima k'umurundi k'ugukenguruka n'ugutabarana*".
2. Mufatiye ku butumwa bwaranguwe mu mwaka w'ubutumwa turangije mugafatira no mu bihe turimwo,mubona ico civugo coguma uko canke cohindurwa? Gihindutse covugwa gute?
3. Uwo mwaka w'ubutumwa wotangura gute? Wosozerwa gute?
3. 1. Ibikorwa vy'ubutumwa vyowurangurwamwo vyoba ibihe?

## 0. Abarungitse inyishu n'abatazirungitse

| Intara y'Ubutumwa | Igitigiri c'Amaparuwase | Ababizanye | Igenekerezo | Abatabizanye |
|---|---|---|---|---|
| **1. GITEGA** | **13** | **1. Mushasha** | **26/08/2024** | 1. Bwoga |
| | | **2. Magarama** | **02/09/2024** | 2. Mucunguzi |
| | | **3. Mubuga-Rutonde** | **04/09/2024** | 3. St Ambroise |
| | | **4. CDAL** | **04/09/2024** | |
| | | **5. Bon Pasteur** | **06/09/2024** | |
| | | **6. Mugabekazi w'Abakene** | **09/09/2024** | |
| | | **7. Gihiza** | **09/09/2024** | |
| | | **8. Yoba** | **09/09/2024** | |
| | | **9. Rukundo** | **10/09/2024** | |
| | | **10. Bikinga** | **10/09/2024** | |
| | | 11. St Gabriel | 11/09/2024 | |
| | | | | |
| **2. MUGERA** | **6** | **1. Gitongo** | **09/09/2024** | 1. Mutoyi (23/10) |
| | | **2. Bugendana** | **09/09/2024** | |
| | | **3. Kirimbi** | **09/09/2024** | |
| | | **4. Nyakeru** | **09/09/2024** | |
| | | **5. Mugera** | **10/09/2024** | |
| | | | | |
| **3. GIHETA** | **5** | **1. Murayi** | **09/09/2024** | 1. Mukobe |
| | | **2. Mpanuka** | **09/09/2024** | |
| | | **3. Kibungere** | **09/09/2024** | |
| | | 4. Giheta | 17/09/2024 | |
| | | | | |
| **4. MAKEBUKO** | **8** | **1. Murenda** | **09/09/2024** | 1. Mumuri |
| | | **2. Buhoro** | **10/09/2024** | 2. Bukirasazi |
| | | 3. Makebuko | 14/09/2024 | 3. Nyarunazi |
| | | | | 4. Ndava |
| | | | | 5. Budatyora |
| | | | | |
| **5. KARUSI** | **11** | **1. Gihogazi** | **04/09/2024** | 1. Gatonde |
| | | **2. Rusamaza** | **04/09/2024** | 2. Karusi |
| | | **3. Maramvya** | **08/09/2024** | 3. Bihemba |
| | | **4. Bugenyuzi** | **10/09/2024** | |
| | | 5. Gahemba | 11/09/2024 | |
| | | 6. Nyabikere | 13/09/2024 | |
| | | 7. Rabiro | 13/09/2024 | |
| | | 8. Shombo | 17/09/2024 | |
| | | | | |
| **6. GISHUBI** | **6** | **1. Gishubi** | **02/09/2024** | |
| | | **2. Nyarusange** | **06/09/2024** | |
| | | **3. Nyabiraba** | **09/09/2024** | |
| | | **4. Nyangwa** | **09/09/2024** | |
| | | **5. Ntita** | **09/09/2024** | |
| | | **6. Muyuga** | **09/09/2024** | |
| | | | | |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| **7. MWARO** | **7** | **1. Mwaro** | **31/08/2024** | |
| | | **2. Gisozi** | **02/09/2024** | |
| | | **3. Rushanga** | **02/09/2024** | |
| | | **4. Kibumbu** | **04/09/2024** | |
| | | **5. Kibenga-Migende** | **06/09/2024** | |
| | | **6. Nyabihanga** | **08/09/2024** | |
| | | 7. Mbogora | 11/09/2024 | |

*Menya neza:

- Itariki ya nyuma ntabanduka twafatiyeko mu kugira icegeranyo ni ku wa 18 Nyakanga 2024 ariko itariki ya nyuma yari yatanzwe ko boba babishikanye bose yari iyo ku wa 10 Nyakanga 2024.
- Harabaye akarusho ugereranije n'umwaka uheze, amaparuwase nka yose uretse Intara y'Ubutumwa ya Karusi na Makebuko batitabiriye neza akamo batewe, abandi barigoye barabizana ku mwanya watanzwe: Gishubi 6/6 : (100%), Mwaro 6/7 : (85.7%), Mugera 5/6 : (83.3%), Gitega 9/13 : (69.2%), Giheta 3/5 : (60%), Karusi 4/11 : (36.3%), na (Makebuko 2/8 : (25%), Zose hamwe ni paruwase 35/56 ni ukuvuga 62.5%
- Ayandi maparuwase yabizanye dusa n'abahejeje kugira icegeranyo ariko twarabifatiyeko mu kugira icegeranyo ni 8/56 n'ukuvuga 14.2%
- Amaparuwase akurikira ntiyabizanye: Ndava, Mumuri, Bukirasazi, Budatyora, Nyarunazi, St Ambroise, Mucunguzi, Bwoga, Karusi, Gatonde, Mutoyi, Mukobe, Bihemba: 13/56 n'ukuvuga 23.2%.
- Mu bisata vya Diyoseze, vyatanzwe na CDAL n'Igisata c'ubutungane n'amahoro. Ariko CDAL ni yo yonyene yashoboye kuduha icegeranyo ku mwanya kandi twaragifatiyeko.

**KURIMBURA UMWAKA W'UBUTUMWA 2023-2024: INYISHU ZATANZWE**

**IBIKORWA VY'UBUTUMWA VYARANGUTSE**

### 1.1. Icivugo c'Umwaka w'ubutumwa 2023-2024 turangije: *«Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Dukundire Yezu Kristu atunywanishe na We, dushobore kurekuriranira no gusubiza hamwe»*.

### 1. Ingene abantu bawakiriye

- Muri rusangi, abantu bawakiriye neza dufatiye mu mibano rukristu; eka mbere warabafashije gusubira kwunga ubumwe n'abo vyari vyanse ko basubiza hamwe; si ico gusa, waranafashije gushinga, kunagura amakomite y'ubutungane n'amahoro aho atari canke aho atari ashemeye. Ahenshi, ayo makomite ariko arashinga imizi kuva mu mubano rukristu gushika mw'iparuwase.
- Baritabiriye inyigisho zijanye n'icivugo bagirako bahabwa amasakramentu ari benshi; abana bararonswa inyigisho ndoramana; eka mbere abari mu bicumuro vy'icese mu migwi itandukanye barabivuyemwo, abandi barigarura barava mu vyo bahoramwo bitagiramvura canke bibatandukanya; twarabonye ko ahenshi abatacana uwaka barasubiriye kurahuriranira. Ivyo tukabikesha uyu mwaka w'ubutumwa mwari mwadutegekanirije.
- Muri uyu mwaka w'ubutumwa turangije, abakristu batari bake barabonye ko ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe vyokomezwa n'ukuriha ibishoboka umuntu yononeye uwundi; abatabishoboye, Leta ikababera mu kibanza mu gushumbusha abononewe ivyabo bizwi: nk'inka, impene n'ibindi…, niho muri uwo mugambi wo gusubiza hamwe, ico cofasha umuntu kugira umutima utekanye;

- ❖ Bawakiriye neza kuko uko umwaka utashe abakristu bama biteze indinganizo nshasha y'ibikorwa ivuye muri Diyoseze;
- ❖ Abakristu bawakiriye neza kuko ari umushinge w'ukwemera; bagiriyeko batahura ko batanywanye na Kristu mu masakramentu no mw'ijambo ryiwe batoshobora kuronka ingonga zo kurekuriranira no gusubiza hamwe. Ivyo navyo ni nkenerwa mu buzima bwa misi yose. Kubera iyo mvo, ukurekuriranira no gusubiza hamwe muri Yezu Kristu ni igikorwa ngombwa co kwamiza ku mutima. Ninaco gituma bagumye bitangira ibikorwa bitunywanisha na Yezu Kristu mu gusubiza hamwe n'Imana na benewabo;
- ❖ Bawakiriye neza n'ikimenyamenya n'uko imigwi nka yose y'abakristu yawinjiyemwo neza. Nk'akarorero: dufatiye ku gisata c'ubutumwa bw'Abakristu balayike gihurikiwemwo: Imihari, imirwi y'ubutumwa, n'imirwi idasanzwe nk'Abavuzi gatolika, abanyapolitike katorika, abacamanza gatorika, abigisha bo muri kaminuza, urwaruka n'Abanyeshure bo mu ma kaminuza, bawakiriye neza cane. Baremeza ko ico civugo carumvikana kandi cari inkoramutima mu buzima bw'abarundi turimwo n'ubwo twagiye turabamwo.

- ✓ Ariko naho bawakiriye neza, vyose ntitwovuga ngo birera de. Na kare abarundi barayamaze bati nta mwonga ubura isato, iba idahizwe. Nico gituma, twabonye ko hamwe hamwe hagumyeho amatati y'amatongo, ahandi naho ingo zagumye zitandukana kubera ugucanamwo n'ukwinubana;
- ✓ Hari abo wadurumbanije kuko vyananiranye rwose ko basubiza hamwe. Abo twovuga ko batarabitegera neza. Ariko turizigiye inema y'Imana ikora igihe ishakiye n'uko ishaka;
- ✓ Hari abatawakiriye kubera batiyumvamwo ivyo kurekuriranira no gusubiza hamwe bafatiye kuvyo babayemwo vyabakomantarije imitima. Duca dutegera ko abo bavukanyi bacu, iki civugo ndongorabutumwa c'uyu mwaka cabagamiye, kirabagora kugishira mu ngiro mu buzima bwabo bwa misi yose. Ariko rero, tuguma twizeye Imana Mutanarirwa yo ibona akari mu mutima wa muntu, hageze izobikora;
- ✓ Aho bigoreye n'ubu abarekuriraniye hari abasubira ku kakera, ukamengo ntibarekuriraniye bivuye ku mutima. Duca dutegera ko inzira yo kurekuriranira no gusubiza hamwe ari ingabirano y'Imana kandi ni igikorwa co guhozako;

**2. Ingene abantu bategereye ingingo zigize ico civugo:**

- ❖ Mu ngendo yo kurekuriranira no gusubiza hamwe, dutegerezwa kunywana na Kristu kuko ico gikorwa si ic'abantu gusa, ni cane cane igikorwa c'Imana;
- ❖ Ukurekuriranira no gusubiza hamwe ni yo nzira y'amahoro, yo kurengera amatati yacu yose nk'ay'amatongo;
- ❖ Kuba twagiye turasubiramwo ico civugo mu misa eka mbere n'ahandi; kuba caramanitswe mu bibanza bitandukanye duhuriramwo kenshi tukaza turakibona kandi tugisoma, vyaradufashije gutegera cane ingingo zikigize;
- ❖ Mu ngendo yo kurekuriranira no gusubiza hamwe, ingingo zigize ico civugo zaduhaye gutegera ko amasakramentu ari kirumara ngo uwo mugambi uranguke neza cane;
- ❖ Mu kurekuriranira no mu gusubiza hamwe, umutima w'uwarekuriye abandi n'uwarekuriwe uratekana, imigenderanire hagati y'abantu no mu kibano ikaba myiza;
- ❖ **Mu nyigisho yatanzwe ubwa mbere na Nyenicubahiro Umwungere Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Gitega igihe yatwugururira umwaka w'ubutumwa, yatwuguruye amaso mu kutwerekeza ku ngingo zigize ico civugo. Niko gutangura kuzitegera. Twarabandanije kuzitegera mu mapfungo ya Pasika twitabiriye twari twateguriwe; eka mbere no muzindi nyigisho nko mw'ihwaniro ry'urwaruka ku rwego rwa Diyoseze, muri forum y'ingo n'imiryango no mu yandi makoraniro yagiye araba**;

- Twazakiriye neza kuko hariho abo tubona banywanye na Kristu mu gukomoza amasakramentu batari bagihabwa;
- **Mw'iparuwase Mugabekazi w'Abakene igizwe ahanini n'abantu b'impahazwa, izo ngingo bazitegereye nk'urukiza;**
- Abakristu barategereye ko bari kumwe na Yezu Kristu vyose bishoboka, kanatsinda Yezu Kristu ni We nyen'inkomezi n'ububasha. Kugirango dushobore kurekuriranira no gusubiza hamwe, turabwirizwa kumwimika mu mibano yacu no mu mitima yacu, muguhabwa amasakramentu no mugukurikirana inyigisho za Ekleziya zishingiye kw'ijambo ry'Imana; Kugira tunywane n'Imana, dutegerezwa kubanza kunywana n'Uwo Imana yatumye, Yezu Kristu;
- **Mu ngingo zigize iki civugo, twarategereye ugusumba ko ivyo twipfundikiye mu Nama y'Umuryango wa Diyoseze dutegerezwa kubishira mu ngiro, na kare ntitwoba ba ndarisizaho kandi turi abantu nya bantu n'abakristu babushitse. Iyo Nama iriko iradufasha gutera intambwe mu kibano ciza no mu migenderanire dufitaniye twese**;
- Twarazirikanye ko Yezu Kristu yazanywe no kudufasha kwegera Imana kuko igicumuro cari catujanye kure yayo. Ugukundira rero Yezu Kristu ni ukwemera kwegera Imana. Na kare uko umuntu yegera Imana ni ko imwereka ubwiza bwayo;
- Twaratahuye ko ukunywana na Yezu Kristu ari ukumwemera no kumwishimira tutamubangikanije, kumukunda kuko ari Umukama n'Umukiza wacu;
- Izo ngingo zadushikanye gutegera ko kunywana na Yezu, ari ugucudika na We.
- **Abenshi barashoboye gutandukanya ko kurekuriranira no gusubiza hamwe atari co kimwe, kuko urashobora kurekurira umuntu mutarasubiza hamwe**;
- Baraategereye ko intambwe ya mbere ari iyo kwirinda kwihorahorana, nayo ibindi bikaza bukebuke;
- Abenshi bazakiriye nk'akaryo Imana ibahaye ko kwisubirako maze barahindura ingiro n'ingendo.

**Ariko kandi:**

- Hari hakenewe gutunganywa inyigisho zidufasha kunoganza ico civugo mu maparuwase amwe amwe, kugira habe ugutahura ukuruta, maze izo nyigisho zibashe kudushikana kukubaha nk'abakristu babushitse: bahabwa amasakramentu; bahimbaza umusi w'Imana; basenga, eka mbere bakaba umunyu n'umuco w'isi mu buzima bwabo bwa misi yose. Muri ico gihe, ukuba n'ugushigikira amacakubiri y'ubwoko bwose; urwanko; ugutwarana uburozi; ugutoteza abandi; ukugirira nabi abandi tuzovyigiza inyuma, tubite nk'akanuka;
- Urwaruka rw'i Makebuko barabajije ibibazo vyerekana ko badategera neza imvo yatumye Umwungere mukuru wacu aduha iki civugo c'uyu mwaka w'ubutumwa. Kubwabo, indyane zabaye zigahungabanya abantu bo ntibari bwavuke. Ico basaba ni ukubandanya babisigurirwa.

**1. 3. Ibikorwa ruberera vy'ubutumwa vyaranguwe mw'iparuwase yacu canke mu gisata cacu mu gushira mu ngiro izo ngingo ni ibi:**

- Ibiteramo n'inyigisho nkomeza kwemera zitandukanye nka évangélisation n'ukubohoka zaratanzwe mu bisata, mu mibano, mu mashure, mu mihari no mu migwi y'ubutumwa;
- Abasaserdoti baragendeye ibisata n'imibano rukristu mu ntumbero yo gufasha abakristu kugendera kuri ico civugo, baratanga amasakramentu mu bakristu batandukanye;

- ❖ Hari abaringanije igisabisho co gushengerera Yezu mu Karistiya mu ntumbero yo kunywana rwose na Yezu Kristu; haranaba imisa mu ntumbero zo kwunga ubumwe n'ubucuti mu bisata; ukuramukanya mu maparuwase atandukanye;
- ❖ Kwitabira amanama atandukanye bagiye baratuirwamwo; ugushiraho amakomite y'ubutungane n'amahoro ; ugukinga n'ugutatura amatati biciye kuri urwo rwego ;
- ❖ Abamenyeshamana baritanze mu butumwa bwabo, bagaruka kenshi kuri ico civugo ndongorabutumwa;
- ❖ Tumaze kumenya ico civugo twaciye twiyegereza abantu bose bari kure y'Imana, barategurwa, barigarura baranywana na Yezu Kristu mu masakramentu no mw'ijambo ry'Imana; ivyo vyose twarabigize mu mpanuro no mu nyigisho zitandukanye twashikirije abantu batandukanye na cane cane ingo n'imiryango;
- ❖ Gushira ahabona ico civugo no kuguma tugisubiramwo, mu nyigisho y'Ijambo ry'Imana, no ku minsi yose y'Imana mu Misa canke mu gihimbazo;
- ❖ Inyigisho ngororamutima na nkomezakwemera zatanzwe; turanagura imibano rukristu ngo ibashe gutera imbere ku mutima no mu bikorwa vy'iterambere biboneka no mu bikorwa vy'urukundo n'ikigongwe;
- ❖ Twaranywanishije Yubile ya Paruwase Mugera n'icivugo (Mugera);
- ❖ Igisata c'Ubutungane n'amahoro cakoze birashimwa; Ijambo ry'Imana ririgishwa mu mashure; inyigisho zo kumenya gusoma Ijambo ry'Imana no kurizirikana zarakomejwe mu butumwa bwa Mukama Menyekana;
- ❖ Twaribukijwe kenshi mu nyigisho ko Ukaristiya ari ihwaniro ry'abarekuriwe n'abarekuriraniye;
- ❖ Amapfungo ya Pasika ashimikiye ku civugo ndongorabutumwa yabaye ku mirwi yose y'abakristu : abana, abakuze n'abato, abanyeshure, abanyepolitike, abayobozi bakuru mu ntwara n'amashirahamwe, abavuzi gatolika n'abandi…;
- ❖ Haratungangijwe amahwaniro y'abagabo n'abagore, amahwaniro y'urwaruka ku nzego zose: mu gihe ca Noheli, ca Pasika no mu ci; ntitwibagiye urugendo rweranda rwagizwe n'abanyeshure bo mu makaminuza ari muri Diyoseze ya Gitega; eka mbere n'indwi ihariwe umunyeshure wo muri Kaminuza ifatiye ku kunywana na Kristu yaratunganijwe;
- ❖ Indwi yahariwe Valantino mweranda yarabaye aho imirwi yose: urwaruka rwiga n'urutiga, abubakanye, abapfakere n'abapfakazi yigishijwe ibijanye n'urukundo, ukurekuriranira no gusubiza hamwe mu ngo no mu kibano.
- ❖ Isabukuru y'Ubutungane n'Amahoro yabereye muri paruwase Gitongo;
- ❖ Gusubiza hamwe tutaravye amadini, imigambwe n'ibindi vyadutandukanya;
- ❖ Igisabisho c'amazaburi kitunyengetereza ikigongwe c'Imana;
- ❖ Imvugo mbi mubanyepolitike batari bake zarahebwe bica bituma imigambwe ibana neza, no mu bateshejwe izabo umuntu akajayo neza kandi kare siko vyahora, kandi abadsangiye ubwoko bakubakana (Makebuko);

### 1. 4. Ivyo twaranguye muvyerekeye Icivugo ndongorabutumwa c'ikiringo c'imyaka itanu ni ibi:

- ❖ Harafashijwe imiryango itari mike gukunda no guhurumbira amasakramentu; abari mu bicumuro vy'icese baratanga impongano kandi abakuze batari bake barabatijwe kw'ipasika; eka mbere n'abanywa ibiyayuramutwe barabihevye;
- ❖ Harakomejwe mu bakristu umutima wo kurekuriranira no gusubiza hamwe bongera baremesha amahoro; hatangwa inyigisho zo ku bohoka ku mutima; haranagurwa ku mice yose abatorewe ubutumwa bw'Ubutungane n'amahoro; tudasinye inyuma abahuza bo ku mitumba;

- Ibisata vyose vya Paruwase Gishubi vyarahimirijwe kugura ca gitabu kirimwo Amateka n'amategeko avuye mu nama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze nkuru ya Gitega;
- Haratumiriwe urwego rw'Abahuza ko boja hamwe n'abatorewe ubutumwa bw'Ubutungane n'amahoro mu gihe hageze kwuzuriza abantu canke mu manza z'amatongo kandi bakarangura ico gikorwa babanje kwishimikiza Ijambo ry'Imana rishimikira ku kurekuriranira no gusubiza hamwe kugira bashobore kunywanisha abantu;
- Kwubahuka kwegera abadacana uwaka ngo basubize hamwe ahenshi ivyo vyarakunze cane uyu mwaka mugihe muyindi myaka vyari vyatugoye (Gishubi);
- Guha indaro ba kavantara : nk'ukuraza urwaruka ruje mu masabukuru;
- Gukoranira hamwe bazirikana ubuzima bw'ingo no kuzisabira amahoro;
- Harubakiwe inzu abantu, haratangwa n'ivyo kunganira aboro;
- Harigishijwe kuvavanura n'urwanko rufatiye ku bigirwamana n'ibintazi biteranya abantu mu kwezi kwa Bikira Mariya;
- Ingendo nyeranda zagizwe zose zagizwe mu mice itandukanye bagana ibirimba vyeranda:i Mugera, i Muyaga n'ahandi….
- Itangwa ry'inyigisho z'ingo n'imiryango ku bijanye n'irondoka rijanye n'amagara meza Ekleziya yemera bigatuma abakristu bamwe bamwe bavavanura n'uburyo bw'ubuhingurano mu bijanye n'irondoka;
- Ukwumviriza no gufasha abahuye n'amakuba mu ngo n'imiryango bikozwe n'abantu batandukanye;

### 1. 5. Ingene twanywanishije Ingingo zigize ico civugo n'umugambi w'Ekleziya yose w'Inama Nsangizangendo:

- Mugukurikiza inyigisho twahawe n'abihebey'Imana, abasaserdoti, abamenyeshamana, imihari n'imirwi y'ubutumwa kuko twese dusangiye urugendo;
- Abasaserdoti barasangije ubutumwa abakristu mu ma komite n'amakomisiyo atandukanye kuruta uko vyahora;
- Mu gukomeza ubumwe muri Ekleziya kugira twese dusenyere ku mugozi umwe;
- Mu guhimbaza abavunyi b'imibano rukristu no mu bisata bagashigikirana;
- Mu gutsimbataza inyigisho z'ubutumwa bw'ingo;
- Mu guhimiriza umukristu wese kwiyumvamwo ubutumwa burangurirwa mu mubano rukristu, mu gisata no muri paruwase;
- Mu kwegeranya intererano y'inyubakwa y'imihari n'iz'imigwi y'ubutumwa;
- Mu gushinga kuva hasi gushika hejuru imigwi ihamagarira uwabatijwe wese kuba umututmwa muri Paruwase Mubuga-Rutonde;
- Mu kubandanya gushira mu ngiro umwitwarariko w'Ekleziya wo kubararikira amahoro, ukurekuriranira no gukundana
- Mu gusangira itunga no mu kumenyeshwa ibiriko birakorwa n'ahavuye uburyo, bikarangurwa cane cane na twebwe abakristu;
- Mu gutegera gusumba ko Ekleziya ari iyacu, uravye imforo n'ukwitanga kwabatowe mu rwego rushasha rushinzwe ubutumwa bw'abalayike muri paruwase;
- Mu kumenyera gufata ingingo bahanuje abo basangiye ubutumwa guhera mu mibano;
- Mu kurangura kumwe imigambi ya Paruwase, gusangira ivyiyumviro n'ubutumwa twese, ikivi n'ikigega: muri iyo ntumbero, habaye ukuja inama n'ingingo mu bikorwa vy'iterambere ry'umutima n'iry'umubiri kuva hasi gushika hejuru, no mu gusabikanya ibikorwa ntihagire uwurera amaboko; twaboneraho n'uguhanahana ijambo no gutegurira hamwe imigambi y'iterambere izodufasha muri kazoza;
- Mu kurungika icese mu butumwa butandukanye amakomite n'abatumwa batowe;

- Mu kugamburuka impanuro zitanzwe n'abungere bacu hamwe n'amakete turungikirwa tugaca tubishira mu ngiro;
- Mu kugiriranira imigenderanire myiza n'ayandi maparuwase mu ntumbero yo guhanahana ivyiyumviro;
- Kuja hamwe twese n'ababanyi mu mu bisabisho canke inyigisho vyatunganijwe; twarasabiye amahoro uburundi bwacu mu nkuka za misa;

- **Menya neza**: Hokwongera gutunganywa inyigisho zerekeye Inama Nsangizangendo muri Ekleziya, nkako ikiboneka ni uko kuri ico kibazo, imibano imwe imwe itaronse ico yishura ku bijanye na yo (Shatanya);

**1. 6. Mu kanyamuneza ka Yubile y'imyaka 125 Uburundi bumaze bwakiriye Inkuru Nziza twaraye dusozereye:**

**a. Ico uwu mwaka wadusigaranye:**

- Abarundi benshi barabatijwe, baremera Inkuru Nziza, baraheba gusenga ibigirwana
- Abatumwa bariyongereye mu Burundi, gushika n'aho turungika abaja kumenyesha Inkuru Nziza twakiriye mu mahanga,
- Abakristu balayike bariyumvisemwo gusumba ubwo butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza;
- Amaparuwase yariyongereye n'ibisata,
- Imihari n'imigwi y'ubutumwa vyarateye imbere;
- Isuku ryariyongereye mu barundi mu mpande zose;
- Kumenya no kwibukanya ivyiza twagabanye mw'iterambere ry'umutima no muvy'umubiri;
- Twararonse kandi turafise imvukira z'abasaserdoti n'abihebeyimana benshi;
- Gukomeza igisabisho mu ngo no mu mibano rukristu;
- Kumenya Imana vy'ukuri tuyimenyeshejwe na Bibliya Nyeranda;
- Kuzirikana ko Inkuru Nziza ari ubunywanyi bw'Imana n'abantu kandi ko ubutumwa bwo kurekuriranira no gusubiza hamwe bukomoka ku Mana;
- Twarategereye ko Imana ari Umuryango w'Ubutatu Bweranda;
- Twararonse abasaserdoti batwigisha mu rurimi rw'amavuko kandi twarategereye ko abasaserdoti bacu batungwa n'umuryango w'abakristu;
- Ingabirano yo kwiyubura mu bukristu, mu kuba bashasha;
- Ukwijukira kwiyubakira umuryango wacu, ibisata na Paruwase yacu; turongera turakomera mu ntunganyo nziza ya paruwase biciye mu ma komite atandukanye tutahorana;
- Iragi ryo kugira umuvunyi no kumuhimbaza; turanahimbaza ama yubile aturonkera ingabirano yo kuzigama ibanga ry'ubukristu; twarakunze ingendo nyeranda;
- Akanovera ko kugamburuka ubutumwa kugira ngo Inkuru Nziza igume imenyekana hose naho rimwe rimwe bitugora; kubw'iyo mvo, twarakomeye mu butumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo
- Harabaye ingo, ariyo Ekleziya yo haziko, zigendera ibanga;
- Kumenya akahise k'Ekleziya y'Uburundi; tuboneraho kumenya iyo Ekleziya yazananye natwe turarungika abatumwa mu makungu kumenyesha Inkuru Nziza;
- Gutunga Igitabu c'Ijambo ry'Imana no kuryisomera (Bibliya Nyeranda) tukaboneraho gukabura akanyota ko kumenyesha Inkuru Nziza mu makungu aho ukwemera kwayamye canke kugoyagoya; biragaragara rero ko ukwemera kwacu kwongerekanye, duca twitwararika ubutumwa bw'Ekleziya;
- Kwumviriza ibisabisho n'inyigisho bica kuri Radio Maria kuruta uko twahora;

- Inyigisho nkarishabwenge ku bunganirango n'abaherekezango ngo bashobore kuba hafi ingo n'imiryango;
- Abamenyeshamana n'amashure nderabamenyeshamana;
- Induljensiya ya rwose n'ikigongwe c'ibicumuro vyacu;
- Uguhinduka n'ukuvavanura n'amadini y'ivyaduka hamwe hamwe, ubukristu buriyongera;
- Kwisuzuma no kwirimbura mu gusubiza amaso inyuma ngo twibaze ingene dutera imbere mu kwemera Yezu Kristu;
- Uguteramira Yezu mw'isakramentu ry'Ukaristiya umusi wose;
- Abakristu ubu barasabira abana babo ibatisimu bakiri bato, abandi nabo bagahurumbira kuruta amasakramentu;
- Ubu abenshi barategereye ibijanye n'ugukenguruka, baratahura ico ari co yubile kandi igahimbazwa;

**b. Ubutumwa twaranguye bwerekana ko twagize umwitwarariko wo kumenyesha Inkuru Nziza ni nk'ubu**:

- Gukundisha Bibliya mu kuyisoma no mu kuja mu murwi w'abasomyi ba Bibliya; twaboneyeho kubakundisha kuyitunga; eka mbere twarakundishije ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza; twaraguze Bibliya z'abana;
- Twaritabiriye akamo ko kwigisha Ijambo ry'Imana mu mashure, mu mihari n'imigwi y'ubutumwa;
- Twaritabiriye ibikorwa vyo kwiyubakira Paruwase yacu, Ekleziya nk'umuryango wacu duhereye mu rugo iwacu no mu mubano rukristu;
- Twaritanze mu kurangura ivyo vyose Ekleziya idusaba mu gusanura inyubakwa zari zasambutse; mu kwiyubakira amasengero ku ma paruwase, ku bisata no mu mibano rukristu;
- Gutegura no guherekeza abahabwa amasakramentu atandukanye;
- Harashinzwe imirwi y'itorwa, maze urwaruka ruraronswa inyigisho zijanye n'umuhamagaro w'umw'umwe, kandi hamwe hamwe iyo migwi iritunganije neza; muri iyo ntumbero, urwaruka rwinshi rwarahurumbiye kuja kwihebera Imana no mu murwi w'itorwa; abana bacu bararungikwa mu maseminari no mu manovisiya;
- Guterera no gusabira abamisiyonari, amaseminari n'amanovisiya;
- Ubutumwa bwa Bikira Mariya agendera ingo ;
- Hararungitswe abaja kwiga Bibliya mw'ishure RABI ryo mu Rutana (Mushasha);
- Harateguye ingendo zo kumenyesha Inkuru Nziza mu kugendera ayandi maparuwase nka Nyangwa na Gisozi (Rushanga);
- Inyigisho yerekeye abaja mu bapfumu no mu bindi bintazi ko bova i buzimu bakaja i buntu;
- Kwirinda guhurumbira ayandi madini ngo bagiye kuronderayo urukiza canke umutekano w'umutima wabo canke ayandi maronko;
- Ko hageze ko umukristu wese yiyubakira Ekleziya nk'umuryango wiwe ahereye mu rugo iwe no mu mubano rukristu;
- Haratanzwe inyigisho zerekeye Bibliya ziraba Abasomyi b'Ijambo ry'Imana, abatorewe ubutumwa bw'abagenzi ba Bibliya bari kumwe n'Abamenyeshamana ruberera n'abatangakivi;
- Kwiyumva ko Ekleziya ari rwacu;
- Abakurambere baratumenyesheje ivyiza vyazanywe n'ijambo ry'Imana;
- Haraguzwe imodoka n'amapikipiki vy'amaparuwase bizofasha abasaserdoti kwiyunguruza bagiye kumenyesha Inkuru Nziza m ubisata n'ahandi; (Gihiza, Bikinga, Nyabikere, Mpanuka);

- Gusoronganya ingemu yunganira Abasaserdoti bacu mu buzima no mu butumwa;
- Gushigikira no kwitabira ubutumwa bwose n'ibikorwa duhamagariwe;
- Haratanzwe inyigisho ku murwi wa Mukama Menyekana bituma tugabana abamenyesha Inkuru Nziza bashasha;
- Gutegura neza no guherekeza neza mu butumwa bwabo imikangara y'Imana;

### 1.7. Ibindi bikorwa biboneka twigiriyeko ingingo twoshima gushikiriza no gusangiza abandi ni ibi:

- Uburimyi n'ubworozi;ukwiyubakira biboneka paruwase yacu n'ibisata; gukomeza umugwi w'abasomyi ba Bibliya wama ukorana rimwe mu ndwi; kwubaka udusengero tw'amasabo atandukanye;
- Kwitegurira guhimbaza Yubile y'imyaka 25 no kwiyubakira inyubakwa ya Yubile (Gisozi);
- Harubatswe amazu y'amanama n'amasengero ahatari hake;
- Amakomite yose y'ubutumwa n'imihari barakundikishijwe paruwase ku ngabirano canke ubuhinga umwe yisangije, none igikorwa cose kirangurirwa mw'i paruwase nta mpembo kirinda gutangirwa, umwe wese akora ico afitiye ubuhinga n'umutima w'urukundo (Gishubi);
- Abakristu bariko bararangura ibikorwa vy'iterambere mu bisata vyabo no kw'i paruwase cane cane mu mugambi wo kwubaka isengero ya paruwase mvyeyi ugeze ku ntambwe ishimishije;
- Hari abakristu batanze ku gushaka kwabo ibibanza vy'amatongo yabo ngo hubakwemwo inzu z'imibano rukristu (Gishubi);
- Amatongo yose ya paruwase yaranditswe mu gisata Ndangatongo muri Komine Gishubi;
- Harabaye urugendo rw'abaririmbiramana bagiye kuramukanya abandi (Gishubi);
- Haratewe imivyaro ishika ibihumbi bitatu y'ikawa (Gishubi);
- Kugiriranira imigenderanire hagati y'imibano no hagati y'ibisata mu ntumbero yo kubandanya gukomeza ubumwe;
- Aho bahora basengera mu nzu z'ivyatsi, uyu munsi ibisata birafise amasengero meza, tutibagiye imibano rukristu (Mubuga-Rutonde);
- Abakristu baruguruye amaso gushika naho bashinga amashirahamwe abasahiriza mu buzima bwabo bwa misi yose (Mubuga–Rutonde);
- Gushira ivyuma biduza amajwi n'intebe nziza mu masengero amwe amwe,
- Inyubakwa ya mpuzamihari;
- Gutanga amashimwe n'ugutanga ic'icumi; kandi urugero rw'amashikanwa rwariyongereye mu ntumbero yo kwubaka umuryango wa paruwase;
- Gushinga komite y'ubutungane n'amahoro;
- Kwubaka inzu z'abatumwa bashikiriza Inkuru Nziza (Abasaserdoti) no gusikura amasengero atandukanye no gushigikirana mu bikorwa vy'urwubako bitandukanye;
- Amahiganwa y'amakorale;
- Guhimbaza abavunyi b'imibano Rukristu, b'ibisata na Paruwase;
- Kwigisha abaserukira imibano rukristu uburyo bwo gusoma Bibiliya hakoreshejwe gutora impfuruzo mu buryo MUKAMA MENYEKANA (Nyabihanga);
- Hariho intara z'ubutumwa zafashe ingingo y'uko uko umwaka utashe abanyamihari n'abanyamirwi bazoza baragira urugendo rweranda mu bibanza vyabigenewe;
- Kwitanga kurusha mu butumwa ngo inkuru nziza ya Kristu ibandanye inyengetera mu mico no mirimo y'abantu mu kuguma duherekeza imigwi yisunga akazi;
- Kwubaka utuzu twa surwumwe twa kijambere hafi y'isengero nkuru (Nyabiraba, Makebuko..);
- Ibikorwa bitandukanye vy'urukundo n'ikigongwe;

- Haraguzwe amatongo y'amaparuwase, ay'ibista n'imibano rukristu;
- Haraguzwe intebe zo mu masengero n'amazu y'amanama;
- Kwitanga muvyo bashoboye kugira amazi aboneke muri Paruwase Mpanuka;
- Gutegura umusi mukuru w'abasubije hamwe bagasangira akanyamuneza n'abandi bakristu bose basangiye umubano w'abakristu (Yoba);
- Kwigisha Ijambo ry'Imana tutazeye inze;
- Abakristu baritabiriye ibikorwa vyo gutanga ikivi mu ndimo za paruwase;
- Kwegeranya abageze muzabukuru kugira bashobore kuronswa amasakramentu;
- Ibiganiro nyunguranyifato mu rwaruka;
- Kuburana imanza z'amatongo;
- Gusuhuza umwibutsamana yagize isanganya;
- Harubatswe ibiro vy'ubutumwa ku migwi yose, haratunganywa n'urubanza rwo kuyihezagira (Makebuko);
- Haratanzwe inyigisho nkarishabwenge n'ingendo nziza irwanya akajagari mubaririmbiramana n'iyindi mirwi ya liturjiya (Makebuko);
- Kuronswa certificat zishira paruwase ku rutonde rw'abarwizambuto (Makebuko);
- Ingendo zo kumenyekanisha Patiri Karoli Gahebe mu ntara y'ubutumwa ya Makebuko;
- Kugendera abari mu bicumuro vy'icese ngo bahanurwe biciye mu nyigisho;

**II. Ikibazo ca kabiri : IBIKORWA VY'UBUTUMWA VYARI VYATEGEKANIJWE BITARANGUTSE.**

**2. 1. Ego nyene hariho ibikorwa vy'ubutumwa bitahavuye biranguka kandi bitegekanijwe nko:**

- Kugendera imibano rukristu yose;
- Amasengero yaba ay'amaparuwase, ay'ibisata, n'ay'imibano rukristu hamwe hamwe ntaruzura;
- Gusozera inyubakwa zimwe zimwe no kugura ibikoresho bikenewe mu mazu y'amanama n'amaparuwase;
- Amasabukuru yo kurekuriranira no gusubiza hamwe (Nyarusange);
- Umunara w'isengero, nta nkengeri yawo iraboneka (Nyarusange, Mwaro, Giheta);
- Guhimbaza umusi wahariwe kurekuriranira no gusubiza mu ntara z'ubutumwa (Gishubi);
- Kwakira Abarimbiramana bari kuva muri Paruwase ya Karusi (Gishubi);
- Gushinga imibano rukristu y'abarondezi b'akazi mu maparuwase matomato ntibirakunda neza naho bigeze kure ((Mubuga-Rutonde);
- Muri Paruwase Mubuga-Rutonde guteramira Yezu Kristu mw'Isakramentu ryeranda cane biguma ari ihangiro. Biraba, ahandi bigasubira inyuma;
- Ko ni miburi buri umubano rukristu wose wotunga Bibiliya Nyeranda;
- Kugendera imvukira za Paruwase Kibumbu zikorera ubutumwa muzindi Ntara;
- Gutangira intererano zose harimwo n'Imperezwa mu mibano rukristu kugirango ingendo zo kuja muri Paruwase zigabanuke (Kibumbu);
- Gushiraho imirwi y'ubutungane n'amahoro kuva mu mibano rukristu gushika ku rwego rwa Paruwase (Kibumbu);
- Guhimbaza abavunyi b'amaparuwase, b'ibisata, hamwe n'ab'imibano rukristu;
- Muri Mugabekazi w'Abakene nta nyigisho zo kurekuriranira no gusubiza hamwe baronse;
- Kurondera ivyuma bisohora amajwi;
- Gushinga ama komite mashasha kuva mu mibano gushika muri paruwase yacu (Gitongo);
- Kwubaka inzu y'iratiro n'iy'ingenzi ntivyaranguwe (Mugera);

- Ukunoganza ivyavuye mu nama y'umuryango;
- Kwubaka utuzu twa sugumwe (Bugenyuzi, Murayi, Nyabiraba, Giheta na Gihiza);
- Ikambi y'ibikorwa (Bugenyuzi, Murenda);
- Kwongereza igitigiri c'abamenyeshamana ruberera hamwe hamwe;
- Kwubaka uruzitiro rw'inzu z'abasaserdoti (Gihiza);
- Kugura ibicurarangisho bidufasha mu butumwa bwa liturjiya, n'ivyuma biduza amajwi;
- Kugura amatongo ngo bagure ibisata bibone kworoherwa mu butumwa butandukanye;
- Kwubaka agasengero ka Bikira Mariya;
- Ijambo ry'Imana ntiryatanzwe neza nkuko vyategerezwa hose;
- Kuronsa amapfungo n'izindi nyigisho imigwi y'ubutumwa n'imihari hamwe hamwe;
- Igiteramo co kurekuriranira no gusubiza hamwe mu mashure yisumbuye na kaminuza;
- Inyigisho nkarishabwenge ku bayobozi b'ama "CRAL, CPAL";
- Gushinga mu ntara z'ubutumwa zose ama "COREJECA";
- Gutegura kwandika no kwerekana neza umugambi wo kwagura no gusikura Isengero Nkuru ya Paruwase Murenda;
- Gushikana umuyagankuba muri paruwse no mu gisata (Murenda);
- Kugura umuduga wa Paruwase (Murenda, Rukundo, Buhoro);
- Kwubaka amazu y'amadandarizo;
- Gusanura amazu n'inyubakwa zimwe zimwe;
- Ubworozi bwa kijambere (Murenda);
- Kuronswa inyishu kubijanye n'imanza z'ubugeni ziri muri Diyoseze (Murenda);
- Isabukuru y'ubutungane n'amahoro muri paruwase Nyabiraba;
- Umusi mukuru w'iterambere muri paruwase (Nyabiraba);
- Gushiraho ibisakazo n'igisenge ku ngoro y'Imana (Nyarusange);
- Kwuzuza amakomite no gutora amakomite mashasha (Buhoro, Bugendana);
- Kwinjira amasengero y'ibisata (Buhoro);
- Umugwi w'abagenzi ba Bibiliya n'umugwi w'abagenzi ba Radio Maria (Gahemba);
- Kwubaka icugamo c'ivyuma vyo kwiyunguruza (Parking): Giheta;

### 2.2. Ivyatumye bitaranguka ni ibi:

- Uburyo buke;
- Ibihe igihugu cacu kirimwo muvy'ubutunzi;
- Ikena ry'ibitoro n'uburyo bwo kwiyunguruza;
- Ibikorwa vyinshi;
- Imanza zahuriranye nk'akarorero Yubile ya Paruwase ya Mugera;
- Kubura ibibanza vyo kuranguriramwo umugambi;
- Abakristu bamwe baracatererana ibikorwa n'ubutumwa abandi canke bakigira ba sindabibazwa
- Imigambi yihuta yabaye mu maparuwase amwe amwe;
- Ubukene bw'abatumwa (Abasaserdoti Abamenyeshamana ruberera na Ntangakivi ni bake;
- Imibano ntikomeye cane, hari iyidahura bishemeye;
- Kubera ahari abakorera kure bakaza mu mpera z'indwi;
- Kubera ubutumwa bwinshi bw'abari gutanga inyigisho,
- Ubugaba canke kwigira sindabinezwe kw'abari bagenewe inyigisho;
- Kubura bahinga (Murenda);
- Iterambere ry'igihugu ryo kugira ibarabara ry'indarayi;
- Kutaronka ababifisemwo ubumenyi bukwiye bomenyereza abandi ubwo butumwa;

### 2.3. Ingene dutegekanya kuzobishishikara ngo biranguke

- Kuzobandanya dukomeza igisabisho twongere duterere uburyo bw'amafaranga twongera tuja inama n'ingingo; Gusaba Imana ngo ituronse abatumwa benshi muri Ekleziya kandi beranda;
- Kugendera imibano rukristu kenshi gashoboka ngo basigurirwe akamaro k'umubano rukristu bongere bibutswe umuvunyi wabo n'akamaro ko kumugira;
- Guhanahana neza amakuru hakoreshejwe uburyo bwa none;
- Kuringaniza kare ibikorwa vy'ubutumwa no kwegera imigwi y'ubutumwa igasigurirwa ibwirizwa ry'Ekleziya ry'ubugamburutsi mu butumwa; tukagiriranira ibiganiro bikwiye n'indongozi zacu; tukaboneraho kunagura canke gusubiriza abatumwa bagoyagoya
- Kugira imigambi mito mito y'iterambere; tukanongereza umwete mu gutanga intererano no mu guterereza irya n'ino;
- Gusaba ibibanza vyo kwubakamwo aho bikenewe (Rukundo);

## III. Ikibazo ca gatatu : IBIBAZO, IVYIPFUZO N'IMIGAMBI.

Hari ibibazo, ivyipfuzo n'imigambi ya kazoza mwoba mufise kugira ngo ingingo zigize icivugo c'umwaka turangije zizogume ziranguka ?

### a. IBIBAZO

- Uko twoburanira amatongo yacu yagiye aranyagwa; ingene tworonka ibitabu vyo kwigisha Ijambo ry'Imana bikwiye tutibagiye na Bibliya Nyeranda;
- Ingene twoshikira kandi tugashikiriza abadashaka kwumva inyigisho zo kurekuriranira no gusubiza hamwe kandi bazikeneye vy'ukuri muvyo tubona;
- Ikibazo co kurekuriranira no gusubiza hamwe c'abarabana urunuka;
- Ibisabwa na Diyoseze canke na Paruwase ngo abipfuza ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza baje mu mashure nderababamenyeshamana;
- Gutanga intumbero y'ibibazo biherekeza urupapuro rw'imibano rukristu;
- Mbega abajejwe imitima n'abajejwe intwaro baraja hamwe kugira ngo baganire ivyerekeye izi ngingo barabe ingene zoja mu ngiro? Nibaba baganira barazihurizako? Nimba bazihurizako, habuze iki kugira ngo zije mu ngiro?
- Ubwo bene kutwigisha kurekuriranira no gusubiza hamwe bo baragize rwabo uwo mugambi ? Ubwo abapatiri bacu boba bafise ku mutima uwo mugambi canke ni urugoto?
- Paruwase ya Murayi ni nini ariko ifise abasaserdoti bake;
- Hofashwa gute abantu batarota kurekurira abandi bagifise agatimatare?
- Ibibazo vyinshi vyugarije ingo n'imiryango vyotorerwa inyishu gute?
- Inama nsangizangendo idusaba kuja hamwe tutaravye amadini, imigambwe canke ubwoko kuko twemera Kristu umwe. Bizoshoboka gute hari imanza tudasangira ndetse n'amasabamana tutayahurizako?
- Ni ayahe madini twomaranira imanza?
- Ni kuki amaparuwase adafise indinganizo imwe kandi ari muri Diyoseze imwe?

### b. IVYIPFUZO

- Turakeneye kuguma twigishwa kahise kandi twigishwe na ko;
- Ko twokomeza inyigisho mu mirwi yose y'ubutumwa iri muri Paruwase;

- Hoba ingendo mu mibano rukristu hagatangwa inyigisho z'ibohoka kuko hakiriho abakeneye kurekuriranira no gusubiza hamwe, izo nyigisho zoherekezwa n'igisabisho c'inkuka ya misa harimwo uwo mugirwa w'ibohoka;
- Ko ibisata vyobandanya bigenderanira kugira ngo bungurane ivyiyumviro;
- Kubandanya bitegurira neza Yubile z'amapruwase aho ziramukiwe;
- Ugufasha abo tujejwe mw'iterambere ry'umutima n'umubiri;
- Kubandanya inyigisho nyinshi mu mirwi yose y'ubutumwa;
- Kwubaka ikigo Nshingwabutumwa n'inzu y'uburaro muri Paruwase Mushasha;
- Kurondera no kugura ivyo kwunguruza abasaserdoti aho bikenewe;
- Hogenwa umwibutsamana ajejwe ubutumwa bwo kurekuriranira no gusubiza hamwe ku rwego rwa Diyoseze na Paruwase abakristu bokwitura bitagoranye ngo abarongore muri ubwo butumwa bwo kurekuriranira no gusubiza hamwe;
- Kubandanya kwubaka amasengero n'izindi nyubakwa nkenerwa;
- Kubandanya guhimiriza abakristu kwitegurira neza amasakramentu atandukanye;
- Gukomeza ibikorwa vyo kwiteza imbere duhereye mu mubano rukristu;
- Hotegurwa ibiganiro bishika ku migwi yose kugira ngo batange intererano n'ivyiyumviro vyofasha ishirwa mu ngiro ry'izo ngingo;
- Ko ingingo zapfunditswe mu nama y'umuryango wo Diyoseze yacu vyomenwa n'abakristu kandi bigashirwa mu ngiro;
- Diyoseze yotegura inyigisho zinoganza ico civugo, mu mvugo yoroshe gutegera;
- Diyoseze yorungika mu maparuwase abatumwa baja kwigisha inyigisho z'ubutungane n'amahoro kuko zirakenewe ahenshi;
- Abungere bacu bogira uko bashoboye ngo inyigisho zo kurekuriranira no gusubiza hamwe bakazobandanya bazitanga mu mirwi itandukanye turavve kahise k'igihugu cacu;
- Hoba unyigisho nkarishabwenge ku makomite y'urwo rwego;
- Mu maparuwase, hotunganywa umusi wo kurekuriranira no gusubiza hamwe nk'uko biba ku rwego rwa Diyoseze;
- Abayoboye Paruwase bokora ibishoboka vyose bagahimiriza abakristu bose bakitaba inyigisho zitunganywa;
- Muri Paruwase, nihashirweho umwibutsamana aza aratunganiriza inyigisho abakristu b'abakukuruke mu buzi;
- Ko haza haraba inkino mu ntara z'ubutumwa zihuza urwaruka;
- Ibiteramo vyo kurekuriranira no gusubiza hamwe biciye mu ndirimbo no mu nkino;
- Gusaba kwongererezwa abasaserdoti (Murayi);
- Ugukorana kwa Paruwase n'ayandi mashengero mu mugambi wo kuremesha amahoro (Nyabiraba);
- Ko hogwizwa abasaserdoti kugira ngo ibihimbazo bigabanuke mu maparuwase matomato;
- Intererano ya Diyoseze yoramaira paruwase Bikinga mu kwiyubakira amasengero n'ishure rigeretse kubera ikibanza ca Paruwase ari gito abana bakabura aho bigira, ibikorwa vy'iterambere bikabura aho bikorerwa nk'uko Musenyeri umukukuruke yari yabibemereye;
- Kwinjira icese amasengero y'ibisata;
- Gutegura inama n'umubano w'abakozi ba Leta dusaba abigisha barezi kwigorera icigwa c'Ijambo ry'Imana (Bugendana);
- Kubandanya turondera abigisha bafise ubumenyi buhagije bofasha abantu kwuguruka bakubahuka kuvuga ukuri;
- Kuronswa abahinga banonosoye inyigisho zo kurekuriranira no gusubiza hamwe;
- Kubandanya kuronka inyigisho nkomezakwemera;

- Gutanguza imigwi y'abagenzi ba Radio Maria n'abagenzi ba Bibliya n'iyindi migwi aho batari;
- Ko abamenyeshamana bakarihirizwa ubwenge kandi hakaboneka n'abandi bo kubunganira ;
- Twipfuza kubandaniriza ikivi aho cari kigeze twishimikije igisabisho kuko ari co kiri n'uruhara runini mw'iterambere ryo ku Mutima no ku mubiri mu biboneka no mu bitaboneka;
- Ko icivugo co kurekuriranira no gusubiza hamwe coshishikara;
- Ko paruwasehoba inkuka ya misa yo gusozera umwaka w'ubutumwa nk'uko haba iyiwugurura hakaba no gushinga intahe ku mugaragaro ku barekuriraniye bakanasubiza hamwe vyofasha n'abandi;
- Ko ibitabu vy'Ijambo ry'Imana (Bibliya n'ubwuzure bushasha vyokwegerezwa aba kristu kubiciro vyorohereza);
- Ko umwungere yoshiraho ingingo yegurira ikirimba ca Bikira Mariya Mushikiriza w'Inema zose Intara y'Ubutumwa ya Makebuko kuko kiriko gihurumbirwa cane nabo muri iyo ntara y'ubutumwa;
- Ko Umwungere yogena umwibutsamana waco bwegu;
- Ko Ishure ryisumbuye ryitiriwe Alufonse Mweranda ryoba ishure ry'indaro;
- Ko imisa ya mbere yosubira gutangura 7h 30 (Makebuko);
- Ko hojaho komite itangura gutegura kuzohimbaza neza yubile y'imyaka 100 ya Makebuko muri 2033;
- Ko abunganirango Diyoseze yobashira ku rutonde rw'abandi bamenyeshamana ruberera kugira amaparuwase abasahirize nk'abandi bihweje uburuhe bagira mu butumwa bwabo;
- Kuvyara ikindi gisata i Makebuko ca MWARO-NGUNDU kuko gifise imibano myinshi ikigora gutunganiriza;
- Abenshi baripfuza ko muri Diyoseze hoba ishure rya Bibliya kugira bigireho gusoma neza Bibliya no gutahura Ijambo ry'Imana;
- Abihebeyimana bogendera nabo nyene imibano n'ibisata atari mu mapfungo ya Pasika gusa;

## c. IMIGAMBI

- Kubandanya kwubaka amashure, amasengero y'ibisata n'izindi nyubakwa aho bikenewe hose;
- Tuzokwihatira gushira mu ngiro imigambi yatunaniye uwu mwaka;
- Tuzogira ukwo dushoboye kwose ngo umugambi w'isengero iriko irubakwa ushike mu musozo aha twovuga Gishubi;
- Paruwase zizogerageza gufasha imibano rukristu yose itaratera imbere ngo ishobore kuronka ikibanza yubakamwo amazu y'amanama y'imibano rukristu;
- Gutegurwa inyigisho ihuza Abahuza n'abatorewe ubutungane n'amahoro kugira bumve ico batorewe co gutunganiriza abantu bamurikiwe n'Ijambo ry'Imana (Gishubi);
- Guhimiriza urwaruka kuja mu mihari n'imirwi y'ubutumwa;
- Kubandanya kuzirikanisha Ijambo ry'Imana urwaruka ruheruka gukomezwa muri Mutima Mweranda;
- Gukomeza imibano rukristu mu mashure;
- Kubandanya inyigisho zo gusubiza hamwe ko kurekuriranira;
- Kuremesha amahoro mu mibano rukristu;
- Abanyamibano bokwemanga amakosa bakora mu mibano yabo;
- Kurwiza inyigisho zo kumenyesha abatorewe ubutumwa ico bajejwe;
- Ko twotora umusi wo kurekuriranira no gusubiza hamwe muri paruwase kuko utabaye ugikunda ku musi twari twawuhariye;

- Gukomeza ubutumwa bw'ubutungane n'amahoro;
- Gukomeza ubutumwa bw'ibikorwa vya papa;
- Kwubaka ibisata aho bikenewe hose;
- Gutegura umugambi rusangi w'iterambere rya Paruwasi (Bugenyuzi);
- Kubandanya tuja inama n'ingingo kugirango bigende neza, mbere nivyo twaranguye bitsimbatare;
- Kubandanya duhimiriza ngo imibano rukristu yose yitunganye mukugira udusandugu rusangi;
- Kwigisha abatakaye n'abahuni ngo bagaruke mumuryango;
- Tukipfuza kandi ko ingeso mbi nyishi (akaborerwe, ubusambanyi) zotuzwa, gutwo hakijukirwa ibikorwa rusangi n'iterambere, abana nabo bakijukira ishure;
- Kubandanya urwubako rw'agasengero ka Bikira Mariya n'umunara kuri paruwase kuko ibikorwa bikiri ku ntango (Gihiza)
- Guhimiriza kwitaho ubutumwa bwa Ekleziya;
- Kubandanya ubutumwa bwa Mukama Menyekana mu kwigisha gushika imibano rukristu yose ishikiriwe;
- Kuvyura umurwi wa Bibiliya usa n'uwahororokewe;
- Kugura ivyuma vyo kubaza vya none bikoreshwa n'umuyagankuba (Gihiza);
- Guhimiriza urwaruka kwitabira inyigisho zirutunganirizwa zijanye n'umugambi wo kuremesha ubutungane n'amahoro;
- Gukomeza ingendo mu mibano rukristu hatangwa inyigisho zishimikiye ku mugambi wo kurekuriranira no gusubiza hamwe;
- Gukomeza inyigisho ndoramana;
- Gukingira ibidukikije mu gutera ibiti no mu guca imikobeko no kuyiterako ivyatsi mu matongo ya Paruwase Murayi;
- Gukarihiriza ubwenge amakomite y'ubutungane n'amahoro, kugira ngo bakore neza gusumba uko bahora;
- Kwinjira mu mugambi w'igihugu wo gutera amavoka ku butaka bwa paruwase (Mpanuka);
- Gukomeza igisabisho mu ngo;
- Kubandanya kwigisha kugirango abatarashika ku ngingo yo kurekuriranira bavyumve banabishikeko. Twonabasabira;
- Kwiyubakira amasengero meza kandi akomeye mu bisata cane cane guheraheza ayamaze gutangura no kuyinjira icese;
- Kubandanya gutegura Paruwase ntoya aho vyateguwe (Mushasha, Mbogora);
- Gutangura kwiga neza umugambi wo gusanura no kwagura isengero ya Paruwase mvyeyi kuko yaga kandi ikaba ishaje (Mbogora);

**B. UGUTEGEKANYA UMWAKA W'UBUTUMWA W'2024-2025**

4. 1. Icivugo ndongorabutumwa cari categekanirijwe umwaka w'ubutumwa buca twinjiramwo wa 2024 ushira 2025 cari iki: "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe mugukomeza akarangamutima k'umurundi k'ugukenguruka n'ugutabarana".
4. 2. Dufatiye ku butumwa bwaranguwe mu mwaka w'ubutumwa turangije, tugafatira no mu bihe turimwo:

- Abenshi bashimye ko ico civugo coguma uko kiri kuko kirikwiye kandi kiri muri ya ntumbero y'imyaka itanu, kandi turacakenye kuremesha amahoro;

- Ubwaco iki civugo kirikwiye cane ariko Ibiro Nshingwabutumwa nivyabona ko bibereye barongeramwo iciyumviro kitwinjiza muri Yubile y'Imyaka 2025 Jambo wa Data avukiye kw'isi nko Umuvyeyi wacu aheruka kubishikiriza ko uzoba ari Umwaka mweranda;
- Twese twama dukeneye guhinduka ku musi ku musi;
- Twese kandi turakeneye amahoro na cane cane amahoro y'umutima, mu gihe abakristu bobandanya bategera, twese tugakurikiza ingingo zibigize n'aho coguma ukwo ntaco vyokwica.

**Hari amaparuwase 17 na CDAL yatanze iciyumviro co kugihinyanyura akagira ati:**

- **Mushasha**: "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twijukire kuremesha amahoro n'ugusubiza hamwe mu kunywanisha akarangamutima k'umurundi n'Inkuru Nziza ya Yezu Kristu, duhereye muri Ekleziya yo haziko ".

- **Rushanga**: "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Mugukomeza akarangamutima k'umurundi, mu gukenguruka no mu gutabarana, duhinduke twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe."

- **Magarama**: "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke, turemeshe amahoro, dusubize hamwe twongere dufashanye".

- **Nyarusange**: «Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu : Duhinduke mu kuremesha amahoro no gusubiza hamwe, mu gukenguruka n'ugufashanya»

- **Yoba**: «Dukomejwe na Mutima Mweranda: Duhinduke twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe, mu gukomeza akarangamutima k'umurundi ko gutabarana no gukengurukiranira»

- **Murayi :** «Twisunze inama y'umuryango wa Diyoseze yacu : Twijukire kuremesha amahoro, gusubiza hamwe n'ugukenguruka twongera dutabarana »

- **Murenda:** "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu : Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe biciye mu mico kama yacu »

- **Nyabiraba: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu : Dushishikare kuremesha amahoro, kurekuriranira no gusubiza hamwe muri uyu mwaka wo gukenguruka"

- **Muyuga:** "Twisunze Inama y'Umuryango wa diyoseze yacu : Duhinduke, twijukire kurmesha amahoro no gusubiza hamwe, dushire imbere umutima rukristu wo gukenguruka no gutabarana"

- **Kibungere: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Dukenguruke, duhinduke, twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe mu gukomeza akaranga k'uwakristu**"**

- **Bikinga:** "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke twijukire kuremesha amahoro no gusaba Imana idufashe gusubiza hamwe mu gukomeza akarangamutima k'umurundi k'ugukenguruka n'ugutabarana"

- **Nyabikere: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe mu gukomeza akarangamutima k'uwakristu ko gukenguruka no gutabarana"

- **Mbogora: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke vy'ukuri, twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe gurtyo dukomeza akarangamutima k'umurundi k'ugufatana mu nda n'ugutabarana"

- **Nyangwa: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twijukire gushira mu ngiro ibikorwa vyerekana yuko twanywanye vy'ukuri"

- **Ndava: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe mu gukomeza akarangamutima k'umukristu k'ugukenguruka n'ugutabarana"

- **Nyarunazi:** "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twijukire gutabarana, kuremesha amahoro no gukengurukira Imana"

- **Mukobe:** "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twijukire kuremesha amahoro no gusubiza hamwe, tubashe gukenguruka no gutabarana"

- **CDAL: "**Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twijukire kuremesha amahoro mu gukomeza umutima wo gusubiza hamwe n'ugutabarana, kugira dushikire iterambere"

- **Icivugo dufashe conywanisha iyi Yubire isanzwe y'Ekleziya ya 2025 n'Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu mu gusozera iyi myaka itanu twari twihayeko ihangiro ryo gushira mu ngiro amateka n'amategeko agize Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu ni iki: "Twisunze Inama y'Umuryango wa Diyoseze yacu: Twese abagendana ukwizigira, dutsimbataze hose akaranga k'abakristu k'ugukenguruka n'ugusabikanya; k'ugufashanya n'ugutabarana". "Nous inspirant des actes de notre Synode diocésain: Nous tous, Pèlerins d'espérance, enracinons partout l'identité chrétienne de reconnaissance et de générosité; d'entraide et sécourisme mutuels".**

- **Icivugo ca Yubire y'Ekleziya ya 2025: "Pèlerins d'espérance". En Kirundi: "Abagendana ukwizigira", selon la traduction officielle de la C.E.CA.B.**

- **Tumaze kugica hirya no hino duhanahana ivyiyumviro biciye mu ntara z'ubutumwa n'abandi, ng'uku uko kimeze icivugo tuzogenderako uyu mwaka: "Twisunze Inama y'Umuryando wa Diyoseze yacu, abasangirarugendo kubw'ukwizigira: Dutsimbataze ingendo y'abakristu yo gukenguruka, gufashanya no gutabarana".**

- **Nous inspirants des Actes de notre Synode Diocésain, pèlerins d'espérance: Enracinons l'identité chrétienne de reconnaissance, d'entraide et d'assistance mutuelle"**

**4. 1 Uko wokwugururwa:**

- Nk'uko bisanzwe : Umwungere yowugurura ku rwego rwa Diyoseze mu nkuka ya misa, ariko vyoba vyiza awugururiye no ku rwego rw'intara y'ubutumwa kuko birakomeza ubumwe hagati y'amaparuwase ayigize.
- Twipfuza ko wobera mu maparuwase. Hobanza kuba inyigisho y'abanyabutumwa bose Bakibutswa ico bategerezwa gukora nk'imisi 3 ikurikirana yo kwinagura.
- Mu kuwutangura hoba igisabisho c'imisi icenda ku bakristu bose bakaronka inyigisho zifatiye kuri ico civugo, amapfungo nayo akaza kunogerereza;

**Mu kuwusozera**

- Tworimbura ivyamwa vy'ico civugo n'ukuntu cafashije abakristu.
- Vyoba ku Rwego rwa Diyoseze, ariko na paruwase igategura umusi wo kuwusozera ari ku w'Imana ikigina ivyashoboye kuranguka igasabira n'ibitagenze neza.
- Hoshikirizwa icegeranyo mu ma paruase c'ingene umwaka w' ubutumwa wagenze ku rwego rwa Diyoseze;
- Mu kuwusozera hobaho inkuka ya misa yo gukenguruka n'ugushinga intahe kubabohotse;

**4. 2.. Ibikorwa vy'ubutumwa vyowurangurwamwo**

- Inyigisho (Evangélisations);
- Kugendera ayandi maparuwase;
- Gukoranya abasaserdoti hamwe n'abihebeyimana b'imvukira za Paruwase Mushasha;
- Kugendera imibano rukristu hatangwa inyigisho;
- Kubandanya gukebura no guhimiriza igihugu c'Imana kwamana itoto mu kwemera kwacu;
- Kubandanya kunoganza neza ico civugo be n'inyigisho zashikirijwe;
- Ukwigisha abakristu gukenguruka, gutabarana n'akarangamutima k'umurundi;
- Gutatura amatati bidaciye mu ngimba duhereye mu kibano,
- Kuraba aboro n'abagowe, abapfunzwe n'abasaza tukabunganira mu vyo bakeneye ku mutima no kumubiri;
- Kugarukira ku bahuye n'ibiza n'isibe,
- Kwitaho abatumwa Ekleziya iturungikira,
- kwigisha urwaruka ibijanye no kuremesha amahoro,
- Gukora ibikorwa biteza imbere paruwase yacu,
- Kubandanya kwitegurira Yubile y'amaparuwase;
- Ibiza bitumirira abakristu gutsimbataza amahoro no gusubiza hamwe;
- Gufasha abakristu kuzirikana kenshi Ijambo ry'Imana;
- Gushinga imirwi ya liturjiya mu maparuwase;
- Kubandanya kwiyubakira paruwase zacu mu bikorwa biyiteza imbere;
- Kuringaniza ku rwego rwa paruwase umusi wahariwe kurekuriranira no gusubiza hamwe;
- Kurondera abashinga intahe ko barekuriraniye vy'ukuri kandi ko basubije hamwe;
- Gutegura no guhimbaza neza umusi wo kurekuriranira no gusubiza hamwe;
- Diyoseze yoringaniza inyigisho 3 mu mwaka wose ngo zishimangire ico civugo hambavu y'inyigisho twoja turahabwa n'abasaserdoti;
- Kwigisha imico myiza n'akaranga vyamye biranga abarundi cane cane urwaruka;
- Horangurwa iyindi migambi y'iterambere kugirango abakristu bavavanure n'ubukene, ubunebwe kuko arivyo soko ryo kubana nabi bigatuma abantu batabana neza;
- **Umusaserdoti ajejwe ukwitunganiriza imigambi mu mibano rukristu yotanga intumbero, akagendera imibano canke agategura inyigisho ku baserukira abandi mu gutegura umugambi w' iterambere n'ishigwa mu ngiro ryawo**;
- Abasaseredoti n'abihebeyimana bobandanya kuremesha imibano rukristu mu kuyigendera n'ibisata;
- **Inyigisho zitandukanye kandi ngirakamaro zijanye n'ukwemera kwacu, imico n'imigenzo myiza ikuza abantu mu bukristu bwabo. Aho rero bozishikiriza imigwi itandukanye y'ubutumwa n'imigwi itandukanye y'abakristu**
- Kunagura inshingwamuryango, abahimbarisha, abamenyeshamana
- Kwongereza abasangizi

- Kwigisha imvugo n’ingendo izira ingimba (la non-violence active et un langage pacifique) bivyara amahoro
- Kutunganya mu mihari no migwi umusi wogutabarana
- Kwigisha abantu gukorera hamwe ngo biteze imbere
- Gushinga mu mibano no mu mihari udushirahamwe two kwiteza imbere
- Guhimiriza abakristu gukenguruka mu gutanga ic’icumi, gushikanira umwaka Umukama, no guhimbaza amayubile mu mirwi itandukanye;
- Gutera ibiti n’imisuna vyo gukingira isengero y’igisata ca Rweru (Yoba);
- Gutegura no kugira urugendo rweranda;
- Kwama hafi ya komite ya Caritasi kugira ngo nabo bame hafi y’abugarijwe n’ubukene n’aboro nyene;
- **Gutegura isabukuru yo kurimbura imyaka itanu iheze ijanye n’icivugo : « Twisunze Inama y’Umuryango wa Diyoseze yacu ! Duhinduke, twijukire kuremesha amahoro, kurekuriranira no gusubiza hamwe »;**
- Inyigisho zijanye n’ivyiyumviro ndongoramigenzo (Nouvelle éthique mondiale) Bugendana;
- **Kuzimurura abazimiye bagata ukwemera muri iyi Yubire ya 2025;**
- Guhamagarira urwaruka rwiga n’urutiga kwirinda ivyiyumviro n’imigenzo y’iyisi ya none;
- Kurwiza inyigisho no gukora ibikorwa vy’urukundo n’ikigongwe harimwo gusabira abitavye Imana;
- Hokomezwa imigwi ishinzwe ukuremesha ubutungane n’amahoro mu nzego zose z’Ekleziya n’igihugu;
- **Hoterurwa inkino canke ibiteramo bihuza abantu n’abandi.**

**Menya neza : Mu kwigina yubile 2025 : abakristu baripfuza umwaka w’ikigongwe**

Bigiriwe i Gitega, ku wa 6/11/2024
IBIRO NSHINGWABUTUMWA VYA DIYOSEZE

**Ingingo zijanye zihurira ku ciyumviro kimwe canke zegeranye zashinzwe n'Inama ya mbere y'Umuryango wa Diyoseze yacu**

Ndashinze ko umusi wa gatandatu ukurikira igenekerezo rya mbere rusama, umusi mukuru wa Yozefu mweranda umuvunyi w'abakozi, ubaye uwo kwigina ibikorwa n'iterambere mw'Idiyoseze Nkuru ya Gitega, mw'iparuwase no mu rugo rwacu (Ingingo ya 1.3.3.1).

Umusi mukuru w'Ikigongwe c'Imana uhimbazwa ku musi w'Imana wa kabiri wa Pasika, ubaye umusi mukuru wo gutabarana muri Diyoseze Nkuru ya Gitega. Ikizovamwo kizoshikirizwa Karitasi ya Diyoseze (Ingingo ya 1.3.3.2).

Ndashinze Umusi wo gushikanira umwaka Umukama ku musi w'Imana wa kabiri w'ukwezi kwa mukakaro, kandi bikajana no guhezagira imirimo itandukanye ishikana kuri uwo mwimbu. Ibizoba vyashikanywe bizoja mw'isandugu rya paruwase ngo biyisahirize mu butumwa bwayo (Ingingo ya 1.3.3.3).

Ndashinze ko Umusi wo guhezagira imbuto n'ibitungwa ari umusi w'Imana wa mbere w'ukwezi kw'9 ari kwo nyakanga (Ingingo ya 1.3.3.4).

Ndashinze Umusi wo kwigina mu gahimbare Ekleziya-Muryango ihurikiye muri Diyoseze nkuru ya Gitega kw'igenekerezo rya 10 munyonyo umusi w'ivuka ryayo (Ingingo ya 1.5.3.4).

Igenekerezo rya 21 nyakanga, ku musi mpuzakungu wo gusaba amahoro, ubaye umusi wo kwibuka no kwitwararika impunzi, abateshejwe izabo n'abandi bantu b'uruja n'uruza (Ingingo ya 2.2.3.4).

Kugira ngo umubano w'abasaserdoti wame mu bumwe no mu muvukano, utegerezwa kwitwararika kubaho nkuko amategeko y'Ekleziya n'Umwungere wa Diyoseze babitegeka (Ingingo ya 2.5.3.2).

Ukwama hafi abakristu, ni intumbero n'akaranga k'ubutumwa bwacu bwose mw'idiyoseze (Ingingo ya 2.5.3.3).

Abasaserdoti bategerezwa kwitwararika guha abakristu inyigisho zerekeye ubumwe dufitaniye n'abitavye Imana; icubahiro cabo; ic'itongo baruhukiyemwo, n'akamaro k'igisabisho tubaherereza cane cane imperezwa y'Inkuka ya Misa (Ingingo ya 3.3.3.5).